
Bibiliya y'Abana
Ishikirije

# Yeremiya, Umuntu W'amarira



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Jonathan Hay; Alastair Paterson

Itunganywa na: Mary-Anne S.


Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique


Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Yeremiya yari yavukiye m'umuryango y'abanyedini waba mubwami bw'i yudaya. Se wiwe Hilikiya, yari umupatiri. Uwo muryango waba mugisagara citwa anatoti, hafi y'i yerusalemu. Kumbure abavyeyi ba Yeremiya biyumvira ko nawe nyewe azoca aba umupatiri. Ariko Imana yari imufitiye iyindi migambi.




Igihe Yeremiya yavuka, abantu b'Imana ntibari bakibaho uko ijambo ry'Imana rivuga. Muvyo bakora, abantu bose uhereye k'umwami ugashitsa k'umukozi mutoyi, basenga ibigirwamana mbere no mungoro y'Imana Umuremyi!
3
Mugihe Yeremiya yariko araba umuyabaga, Imana ivugana nawe. Imana iramubarira iti: "Nari ndakuzi utaranavuka, kandi nagutoranije kugira ngo umbere umuvugizi."
4
Umuhamagaro w'Imana usa n'uwateye ubwoba yeremiya. Yeremiya aravuga ati: "Yo! Mwami Imana!" "Sinzi kuvuga, ndacari umwana." Ntiyari akiri umwana, yari afise imyaka mirongo ibiri. Ariko yeremiya ntiyiyumvira ko yoshobora kuvugira Imana no guhangara ubugizi bwa nabi yabona aho yari aherereye.
5
Imana ihumuriza Yeremiya iti: "Ntutinye," "Uzoja aho nzogutuma hose. Uzovuga ivyo nzokubwira kuvuga vyose.
Ndi kumwe nawe kandi nzokubohora." Hanyuma Imana ica ikora ikintu kidasanzwe.
6
Imana iha yeremiya inkomezi, umwete n'ubwenge. Yavuga atabwoba afise, yibutsa abantu ko Imana ibakunda kandi ko ishaka kubafasha. Ariko nta n'umwe yamwumviriza. N'umwami ntiyamwumviriza.
7
N'abapatiri vyarabashavuza kandi bakamubwira guhagarika kuvuga Imana. Hariho kandi n'abavugishwa b'ibinyoma bavuga ko yeremiya abesha.
8


Yeremiya yibutsa abantu ko, imbere y'imyaka nk'ijana, ubwami bwo muburaruko, ubwa isirayeli, bwari bwarataye Imana. Abansi babo abasiriya, barabanesha kandi bafata ab'isirayeli babajana mumatongo ya kure cane.
9
Ubu rero abantu b'i buyuda, ubwami bwo mubumanuko, bwari bwarataye Imana. Ingabo z'abansi babo zariko ziraza kubatera! Imana yoba yari igiye kwemera ko abantu bayo baterwa bakaneshwa kandi bakabajana m'ubuhungiro?
10
Abantu bizera ibigirwamana vyabo. Mbega ibigirwamana vyabo vyari gushobora kubakura mu maboko y'abansi babo? Oya! Imana yonyene niyo yashobora kubakiza. Abantu bari bashavuriye cane Yeremiya gushika n'aho bagira umugambi wo kumwica. Ariko Imana yarakingiye umukozi wayo.
11
Hanyuma, Imana ivuga ikintu cababaje yeremiya. Imana iravuga iti: "Ntusengere abo bantu. Sinzobumva nibampamagara ngo ndabatabare."
12
Yeremiya agabisha umwami ko azoneshwa n'ingabo z'i babuloni. Umwami aca arashavura cane kandi aca ashira yeremiya mw'ibohero. No mw'ibohero, yeremiya abandanya kuvuga Imana kandi abandanya kuyizera.
13
Amaze kuva mw'ibohero, yeremiya aca atangura kubwira umwami n'abantu ko bakwiye kugaruka ku mana no kuyizera. Ico gihe hoho, umwami yaciye afata yeremiya amushira mungunguru yuzuye ivyondo.
14

Ariko Imana yariko irakora igikorwa m'umutima w'umwami. Mw'ibanga aca akiza Yeremiya kandi aca amubaza ico Imana ishaka ko akora. Inyishu yabaye:
"Ihane, kandi Imana ivuga ko uzoronka ubuzima bukijijwe."





Ingabo z'i babuloni zarateye iyerusalemu zirahigarurira n'ubwami bw'iyudaya hose. Barasambuye impome n'inyubakwa kandi baturiye ibintu vyose. Imana Ivuga ko abantu bayo bazoja m'ubuhungiro imyaka mirongo irindwi (70),

kandi ko munyuma izobagarukana mugihugu yabasezeraniye.





Yeremiya, Umuntu W'amarira

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Yeremiya

"Guhishuririrwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130



# Iherezo

28 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16